**INAMA NKENGUZAMATEKA**

**Adresse : Avenue du Peuple Murundi**
**B.P. : 114 Gitega**
**Tél : (+257) 22 40 50 08**
**Site Web : www.senat.bi**
**e-mail : info@senat.bi**

**SENAT**

Gitega, le 27. / 06/2023

N. Réf : *SNB/ COM.I/…/2023*

***Commission permanente chargée des questions politiques, diplomatiques, de défense et de sécurité***

**A Son Excellence Très Honorable**
**Président du Sénat**
**à**
**GITEGA**

**Objet** : Transmission d'un rapport

Excellence Très Honorable Président,

J'ai l'honneur de vous transmettre, en annexe à la présente, le rapport de la descente sur terrain effectuée par la Commission permanente chargée des questions politiques, diplomatiques, de défense et de sécurité en dates du 12 au 16 juin 2023 afin de voir l'état sécuritaire qui prévaut dans les provinces de CIBITOKE, BUJUMBURA-MAIRIE et BURURI.

Vous en souhaitant bonne réception, je vous prie d'agréer, Excellence très Honorable Président, l'assurance de ma très haute considération.

**POUR LA COMMISSION PERMANENTE CHARGEE DES QUESTIONS POLITIQUES, DIPLOMATIQUES, DE DEFENSE ET DE SECURITE ;**

**Sénateur Gad NIYUKURI, Président.**

**INAMA NKENGUZAMATEKA**

Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
22 40 50 23

Site Web : www.Senat.bi
e-mail : info@senat.bi

**SENAT**

| LEG. VI / RAP N°... |
| --- |
| IGEN 27/6/ 2023 |

***N. Réf : SNB/ COM. I / ... /2023***

*Umurwi wamaho ujejwe ibibazo vya poritike,imigenderanire n'amakungu, ukwivuna abansi n'umutekano .*

**RAPORO Y'URUGENDO ABAKENGUZAMATEKA BAGIZE UMURWI WAMAHO UJEJWE IBIBAZO VYA PORITIKE, IVY'IMIGENDERANIRE N'AMAKUNGU, IVY'UKWIVUNA ABANSI N'IVY'UMUTEKANO BAGIZE MU NTARA YA CIBITOKE, MU GISAGARA CA BUJUMBURA NO MU NTARA YA BURURI.**

Umurwi wamaho ujejwe ibibazo vya poritike, ivy'imigenderanire n'amakungu, ivy'ukwivuna abansi n'ivy'umutekano waragendeye, kuva kw'igenekerezo rya 12 gushika 16 z'ukwezi kwa Ruheshi, intara twavuze aho hejuru mu ntumbero yo kuraba uko umutekano wifashe muri izo ntara inyuma y'amakuru yavuga ko harangwa umutekano muke.

## I. UKO UMUTEKANO WIFASHE MU GISAGARA CA BUJUMBURA

Mu gisagara ca Bujumbura, twasanze umutekano muri rusangi wifashe neza naho hatabuze abapfa bivuye kw'inyuruzwa ry' abantu , abapfa bishwe, ibiziga bitabwa ahantu bakabibona batazi iyo vyavuye.

### A. KOMINE MUKAZA

Muri komine Mukaza umutekano w'abenegihugu uhungabanywa n'ibi bikurikira :

- kunyuruza abantu ari na co catumye Reta itegeka ko abafise imiduga y'ibiyo bitabona (vitres teintées) babikurako ;
- hariho kandi abantu biyitirira urwego rw'iperereza bakagenda baratera ubwoba abantu ;

- hariho n'imodoka y'ubwoko bwa TI yagenderamwo abantu bafise ibirwanisho bivugwa ko imaze gukoreshwa mu kwiba incuro zishika zitandatu . Baramenyesheje kandi ko hariho umugore aba i kiriri yanyurujwe n'ubu bataramenya irengero ;
- hari ibiziga bitorwa ku nkengera z'ikiyaga Tanganyika canke mu bindi bibanza batazi iyo biba vyavuye ;
- ubusuma bwo mu mazu bwagiye buribonekeza ; mu kuburwanya bategetse abanyagisagara gushira amatara ku mpangu zabo bikaba vyaragabanije ubwo ubusuma ;
- mu masaha yitereye, kw'ibarabara rya Mwezi Gisabo, mu Buyenzi, mu Nyakabiga, n'aho bita kwa Bwanashamba haravuzwe abantu bategera abantu bakabambura ivyo bafise bakoresheje inguvu cane cane abagore n'abakobwa bitwaza amasakoshi rimwe na rimwe bigaterwa nuko hatabona neza ;
- abana bo mw'ibarabara barateye umutekano muke , ni benshi kandi ntibakigira ico bibanga . Bariba, baratukana n'ubundi bubegito kandi babikorera mu mirwi ku buryo n'abaporisi batabatinya . Basaba ko Reta yokubaka ibigo vy'igororero mu ntara ziri kure y'ibisagara kugira ibegeranirizeyo yongere ibigishe imyuga itandukanye kugira bazogire ico bimariye n'ico bamariye igihugu ;
- abasega babaye benshi bakaba bakotwa n'abantu bakomeye bagaca babayerereza kugira babasegeshe ;
- muri karitiye Aziyatike, imiduga izana ibidandazwa irazibira amabarabara ikongera ikayabomora bagasaba ko bobubakira ububiko bwojamwo ibidandazwa kugira muri iyo karitiye hajemwo ibidandazwa berekana (échantillons).Barasaba ko hoja ivyuma bimeze neza bifata amasanamu (caméras de surveillance) ku mabarabara y'iyo karitiye kugira barwanye ubusuma ;
- ibiyayuramutwe urwaruka rwihereza bigatuma baba imburakimazi mbere mu mazone amwe amwe bakaba bagira n'iterambwoba ku barongozi bo mu ntwaro ;
- hari inzuzi zibangamiye abenegihugu (muri karitiye Buyenzi no muri Mutanga sud);
- abubaka mu bibanza bitarekuwe ;
- ibiciro vy'inzoga za Brarudi abantu bidugiriza uko bashatse ;
- mu butungane hariho ibiturire bitangwa bigatuma abantu bahigana kugira bakuranemwo ;
- hariho kandi ivyo guharika no kwahukana bigatuma imiryango ishamirana.

## B. KOMINE MUHA

Umutekano wifashe neza muri rusangi.

Ibiwuhungabanya :

- ubusuma bwo mu mazu, ariko aho bashiriye amatara ku mabarabara buriko buragabanuka ;
- abanywa ibiyayuramutwe n'inzoga zikaze zitwa kiki (kick) na hozagara, karibu..., baraborerwa bagahungangabanya umutekano;
- abajejwe intwaro n'umutekano barashiramwo inguvu bakabafata mugabo bashitse mu busho baca barekurwa bivanye nuko ibihano bihasanzwe bijanye n'ivyo vyaha bidafashe .Baca bagaruka gutera ubwoba ababafashe canke babafatishije, ivyo bikaba bibabaza abenegihugu cane kandi batabona uko bari buvyifatemwo ;
- ikindi giteye ibibazo, ni abenegihugu baba ku metero amajana abiri (200m) y'aho uwahoze ari umushikiranganji wa mbere yubatse muri Nkenga busoro babomorewe amazu bakaba batonda kw'ikomine imisi yose gusaba ko bubakirwa kuko bangajwe ata na kimwe bahawe. Musitanteri yaratubwiye ko ico kibazo yagishikirije abamukurira mugabo ko atararonka inyishu. Abakenguzamateka bahavuye bibonaniye n'abo benegihugu bangajwe barabiganira amagorwa bagowe ;
- bahukana muri iyo komine naho nyene baribonekezaho naho atari benshi cane ;
- abaharika nabo nyene barabonekayo ariko iyo bamenyekanye barabahana.

## C. KOMINE NTAHANGWA

- Hariho uruja n'uruza rw'abantu batagira aho barara bagaca barara mu bisaka, mu miserege no mu mabarabara ;
- abihereza inzoga ziboreza (hozagara na kiki) n'ibindi biyayuramutwe barateza umutekano muke ;
- abana bo mw'ibarabara basigaye ari benshi kandi barateza umutekano muke ;
- hari abadandaza umubiri benshi nabo nyene barateye isibe ;
- hariho abakobwa batwara inda bagaheza bagata abana mu miserege itwara amazi canke mu mayarara.

Ibindi bibazo abenegihugu bashikirije biri mu bitera umutekano muke ni :

- abanyamahanga (abakongomani bahabwa uburangamuntu bw'abarundi) kandi bakongera bagapanga amazu ku biciro bihanitse bigatuma banyene amazu basohora abarundi bazibamwo batubahirije amasezerano baba baragiriraniye ;
- hari abanyeshuri b'abakongomani biga muri za Kaminuza barara baravuza urwamo rwinshi bakabuza abantu gusinzira ;
- umwanda w'umurengera ubandanya gutabwa muri zone buterere uri mubituma indwara nka za korera,amacinya n'izindi bibangamira abenegihugu bigatuma igisagara kidasa neza ;
- abagurisha amatongo (parasera) yabo canke atari ayabo incuro nyinshi.

## II. UKO UMUTEKANO WIFASHE MU NTARA YA BURURI

Twasanze muri rusangi umutekano wifashe neza mu makomine agize iyo ntara ariko hariho ivyahaciye mu misi iheze vyanatumye umutekano uhungabana navyo ni ibi bikurkira :

- haribonekeje abategera abantu bakabatema bakoresheje ibipanga, abantu batatu barahasize ubuzima ,batandatu nabo barahakomerekera cane . Muri abo bagizi ba nabi harashoboye gufatwa umwe akaba kandi yaranavuze ko mu babatumye gukora ubwo bubegito harimwo umuvugabutumwa yitwa NDAGIJIMANA Yoweri ;
- haribonekeza kandi ubusuma bw'ibitungwa bito bito ,ariko kubera ukwirarira vyaciye bikomezwa ubwo busuma bwaragabanutse ;
- haranavuzwe abategera abantu bagiye canke bavuye gusuma bakanababambura ivyo bafise vyose ;
- haravuzweko abafungwa bo muri komine Vyanda bamaze igihe kinini bapfungirwa mw'ikonteneri ;
- abatwa barashamirana kenshi n'aborongozi bo hasi bashaka kwihagira amatongo ya Reta ku nguvu ;
- haranavuzwe abavuga ko bafasha Imana kwimbura mu gutanga isumu ;
- havugwa kandi abakobwa batwara inda z'indaro ku bwinshi hanyuma abana bakihakanwa n'abazibateye hanyuma bakandikwa kuri basekuru canke abo bita base batazwi(père inconnu) ;

- baridogera cane ubutungane ko bubarenganya cane mu kubatunganiriza canke bukadindiza imanza, izo baciye nazo bagakwega amaguru mu kuzishira mu ngiro ;
- haravugwa kandi abantu iyo barekuwe mu mabohero baca baza kuba mu mazu yahebwe na beneyo kubera bimukiye i Bujumbura canke ahandi ndetse bamwe bakigumira mu mashamba bakanka gusubira iyo baje bava ;
- inzoga ziboreza cane kandi zikaze cane (kiki,Hozagara,...) hamwe n'urumogi urwaruka baguma bihereza ;
- abaharika bagaca bagenda gutungira abagore batazwi n'amategeko i Nyanza Lac n'ahandi bigatuma umurindi w'irwirirana ry'abantu uba umurengera.

**IVYO BASABA**

- basaba ko abafashwe bagirizwa guhungabanya umutekano bohanwa bikomeye kandi abenegihugu bose bakamenyeshwa ingene bahanwe ;
- basaba kandi kumenyeshwa igitiri n'amazina y'abantu bari bagize uyo murwi watema abantu ;
- abahuza basaba ko imanza zazingamiye mu masentare y'intango zosubizwa ku mitumba kugira abahuza babitunganye kuko bobo bazinyarutsa kandi ataco barinze gusaba ababuranyi ;
- basavye ko inzoga zituma umutekano uhungabana zokurwa kw'isoko kuko zonona n'amagara y'abenegihugu ;
- baranasavye ko imyaba ihari itarimwa yohabwa abenegihugu bayirime kugira ngo itange umwimbu bibafashe kugwanya inzara .

## III. INTARA YA CIBITOKE

Muri komine Mabayi abakenguzamateka baraganiriye n'abenegihugu baho bababaza uko umutekano wifashe. Baravuze ko umutekano utifashe neza nkuko bavyipfuza kubera imvo zikurikira :

- hari abenegihugu babiri baheruka kwicirwa mu kibira c'Uburundi kiri muri iyo komine ya Mabayi barashwe n'abasoda b'igihugu c'Urwanda inyuma yaho abasirikire b'Uburundi bafadikanije n'ab'Urwanda bari bavuye mu bikorwa vyo kuronderera umwansi hamwe, hanyuma abo benegihugu basubiye inyuma abasirikare b'Urwanda bikeka ko boba bari muri ba bansi bariko barondera baca bararasa babiri baca baritaba Imana umwe niwe yarokotse ;

- hari kandi umuporisi yarashe umwenegihugu arahwera kandi ataco amuhoye ariko vyavuzwe ko uyo muporisi yoba yari yaborewe ;
- kubuza abenegihugu kwimba inzahabu bituma haba ubusuma bw'umurengera haba mu mirima canke mu mazu ;
- abana baheba amashure ku bwinshi kubera ubukene ;
- ingo nyinshi zirasambuka kubera serugo ataba akironka ibitunga umuryango ;
- amatongo menshi aragurishwa kugira ngo bapfunguze abafunzwe bazira kwimba inzahabu ;
- abakuru b'imitumba nabo nyene barafise amakenga ku mutekano wabo kuko babuza abenegihugu kunyangaza (kurondera inzahabu aho bamaze kuzimba) nabo bagaca babatera ubwoba ngo bazobarasa n'imyampi ;
- abenegihugu basigaye bagaba hageze kwunguruza ivyankenerwa vy'abasirikare harimwo n'ibifungurwa bitwaje ko bashonje kubera babujijwe kwimba inzahabu kandi bakaba bagenda urugendo rurerure n'amaguru.

**IBISABWA N'ABENEGIHUGU**

1. Kurekurirwa kwimba inzahabu ;
2. gutunganirizwa neza ibiciro vy'inzoga hisunzwe ukuntu bazironka ;
3. basaba kandi ko hoboneka imodoka ibasahiriza mu kwunguruza ivyankenerwa vy'abajejwe umutekano bari mu kibira ku birindiro.

**KUBW'UMURWI WAMAHO UJEJWE IBIBAZO VYA PORITIKE, IVY'IMIGENDERANIRE N'AMAKUNGU, IVY'UKWIVUNA ABANSI N'IVY'UMUTEKANO**

**Umukenguzamateka Gad NIYUKURI,**

**Umukuru w'umurwi.**